# MuzoNyubakira Inzu Ki?

Tucson, Arizona USA

21 Munyonyo 1965

1 Urakoze mwene Data Green. Ndaramukije mwene Data na mushiki wacu Green, n'abari hano bose kano gatondo. Numva ari akaryo nahawe, kuza muri kino kibanza co gusengeramwo, kugira mvuge gato.

Sinshaka gutwara umwanya wa mwene Data Green hano, kubera ndamaze kwumwumviriza akatari gake, avuga, kandi ata nkeka narakwegerewe, mu gihe yariko aratubwira Ijambo ry'Umwami. Yari aciye bugufi cane kuri ryo. Ejo hahise yavuze ati: "Sindonka Ijambo rivuye ku Mwami nk'uko kumbure riba rije riciye kuguhishurirwa, i - ingene rirungikwa, ariko," aravuga ati: "ndakunda gu -gushimikira ku biba vyavuzwe." Aravuga ati: "Nka kumwe Paulo yandika ikintu kanaka muri Bibiliya, maze hano agaca ashimika ku vyo yaba yavuze." Aravuga ati: "Nta bundi butumwa mfise, kimwe gusa ni ugushimangira ibimaze kuvugwa bivuye ku Mwami." Nasanze vyari bitangaje vy'ukuri ku w'u - w'ukuri muto nka we, kumwumva avuze amajambo nk'ayo.

Ubu rero, reka dusengere hamwe.

2 Mana Mukundwa, birangoye n'ingene notangura, kubera ndumva yuko Uri hano uyu munsi, kandi mu Nyonga zaWe twama twumva turi bato cane. Nda-ndaGushimiye kuri kano karyo. Ubu rero Mwami, ni Wewe waduhaye kino kibanza, ndasavye uzohore ukorana natwe igihe cose tuzoba dukoraniye hano. Kandi ese Mpwemu waWe ahambaye yogendagenda muri kino gisagara. Reka tube abashoboye kuzana buno Butumwa twahawe bwanagaragajwe imbere y'amaso yacu mur'ino minsi y'iherezo, reka Bushitswe, kandi wigarurire buri mushaha wa hano muri Tucson no mu micungararo, uwo Wategekanirije Ubugingo. Nuduhe ivyo bintu, Data, mw'Izina rya Yesu Kristo. Amen

3 Ndibaza ngomba nsome umurongo muto w'Icanditswe hano muri kano gatondo, gato imbere yuko mvuga ano majambo nipfuza kuvuga. Ni hariya mu Vyakozwe, ikigabane kigira 7 co mu Gitabu c'Ivyakozwe. Rero mu gihe muriko murahazingurura, turahera ku murongo ugira 44

Muri ino ndwi tuzoja i Shreveport, mur'ino ndwi iza, kubw'urukurikirane rw'ibikorane, rero tugiye kugerageza, Umwami niyabigomba. Mwene Data Moore, mwene Data Jack Moore, umugenzi pfampfe wacu jewe na Pearry, kandi turakunda mwene Data Jack. Ubu Butumwa, ndibaza, mu buryo kanaka bwaramutangaje gato, na cane-cane bimwe muri bino bintu dukunda cane kandi twizeye, ivyo-ivyo twazaniwe biciye mw'iyugururwa ry'Amashashara Ndwi, Ivyo twizeye, nk' "Uruvyaro rw'inzoka," n' "umutekano w'Ibihe Bidashira w'abizera," be-be n'ibindi, bumwe muri ubwo Butumwa. Ivyo, kumbure ku bandi...Ntitwibaza yuko Bino bigumye, ariko, Vyó, mutegerezwa kwugururira imitima yanyu Ukuri. Twizera yuko tubayeho mu-mu gihe c'iherezo. Ukwo ni ukuri kuri twebwe, yuko turi kw'iherezo ry'urugendo.

4 Kandi kuvugira mw'ishengero ry'uwundi muntu, neza, utegerezwa kwubaha ukuba uwo muntu yakira abantu, kubona ya - yaguhaye akaryo ko kuza mw'ishengero ryiwe. Kandi jewe, nzi neza yuko batizera Bino, nobubaha cane kuburyo…Hariho vyinshi nshobora kuvugako ng'aho; kiretse numvise Mpwemu Yera abishimitseko gato, murabona, ata nkeka noca mvuga ukwo naWe yavuze. Ariko nta bindi nzi atari gukora gurtyo, kandi ndizeye yuko ntazokwigera niga gukora ukurenze ukwo. Murabona? Reka tubivuge nk'uko naWe yabivuze.

5 Rero reka dusome u - umurongo umwe canke ibiri gusa hano yo ku ki - kigabane kigira 7 c'Igitabu c'Ivyakozwe, uhereye ku murongo wa 44

*Ba sogokuruza bari bafise Ihema ry'Ibishinga Intahe, hamwe bari mu bugaragwa, nk'ukw'Iyavuganye na Mose yabigeze, yamubwiye kurigerereranya n'ikigerereranyo yabonye.*

*Iryo basogokuruza barihawe na basekuru babo, barishikana ino, Yosuwa ari kumwe nabo, hamwe batsinda amahanga, Imana iyirukana imbere ya ba sokuruza, gushitsa ku gihe ca Dawidi;*

*Kandi Dawidi aronka ubutoni mu Nyonga z'Imana, asaba kwubakira Imana ya Yakobo aho kuba.*

*Ariko Salomo niwe yayubakiye ingoro.*

*Yamara Isumba vyose ntiba mu zubakishijwe amaboko: kuko uwavugishijwe n'Imana yavuze ati:*

*Ijuru ni ryo ntebe yaNje y'Ubwami,…Isi na yo ni indava y'ibirenge vyaNje: muzoNyubakira inzu ki? niko Uhoraho abajijie: canke Nzoruhukira ahantu ki?*

*Mbega intoke zaNje sizo zaremye ivyo vyose?*

6 Kuri Ibi, iki gisomwa c'Ivyanditswe, ngomba kuvuga amajambo make nshaka kuvuga imbere yuko Mwene Data Pearry azana ubutumwa bwa kano gatondo. Mbona kino ari kimwe mu bihe bidasanzwe

vyanje vyo kugendera Tucson. Naje hano kubera nari narongowe kuza hano. Naje hano kubera Mpwemu Yera biciye mw'iyerekwa, yandungitse hano. Ndazi ko ivyo bishobora kuboneka nk'ibitangaje, kumbure. Ari We, ukwo ndabizi, ikintu cose nzi ku Mana, narungitswe n'iyerekwa i Tucson. Nariyumviriye ukuntu nari narigeze kurungikwa hano hantu h'ubugaragwa. Na hano aho hari…Ndabivuze mu buryo bwa mpwemu, muri kino gisagara, sinzi ahandi hantu na hamwe hapfuye muri mpwemu birenze, nko mu gisagara ca Tucson. Hari intambara hagati y'amashengero. Hariho imishamirano hagati y'amakoraniro. Nta bumwe buhari, umwe wese arakwega, akumirako, no kugerageza gushikira uyu, no kumwosha ngo ahindure ukwizera. Ni ubugaragwa, tubivuze mu buryo bwa mpwemu nahone.

7 Ariko rero nsoma muri Bibiliya, yuko igihe Imana yahamagara Mose kugira ave mu biwe yakunda ave no mu vyo yakunda vyose, maze imurungika mu bugaragagwa, kwandika amabwirizwa ya Bibiliya. Iryo ryari Isezerano rya Kera, vya Bitabu bine vya mbere: Itanguriro, Abalewi, no Gusubiramu Vyagezwe, Kuvayo. Ya…Sinigeze ndabisubiramwo ukwo bikurikirana, ariko ni ivyo Bitabu bine. Vy'ukuri ivyo niryo Sezerano rya Kera. Kubera, ibisigaye muri Ryo vyari Ivyo abavugishwa bǎvuga, mu Mazaburi ya Dawidi, n'ibindi, hamwe n'Ingoma z'abami. Ariko ivyo nivyo vyari ifatiro ry'Isezerano rya Kera. Ni Mose yavyanditse inyuma y'aho yari yahamagawe ngo ave mu gihugu ciwe, aho yari yaravukiye azanwa hagati mu bantu biwe, kandi yari yarungitswe mu bugaragwa, kwandika kino Gitabu c'Isezerano rya Kera.

8 Rero ndabona yuko mu Gitabu c'Isezerano Rishasha, aho Paulo, ari we nyene ryo, canke si nyene ryo, ariko ni umwanditsi w'Isezerano Rishasha. Nawene yavanywe hagati y'abantu biwe, maze, biciye kuri Mpwemu Yera, ajanwa muri Arabia, aho yamaze imyaka itatu n'igice, kugira aronke uguhumekerwa. Rero Paulo niwe mwanditsi aza imbere w'Isezerano Rishasha. Ubu rero, hariho Matayo, Mariko, Luka, na Yohana, ariko bobo bari abanditsi gusa bandika ivyo Yesu yavuga mu gihe baba bariko baraMukurikira. Kandi, ariko, mufashe Igitabu candikiwe Timoteyo, n'icandikiwe Abaroma, n'icandikiwe Abaheburayo, hamwe n'ibindi, Paulo yari yaronse uguhumekerwa kwo kwandika Isezerano Rishasha; mu gufata Isezerano rya Kera ryose nk'igitutu, maze abishira mu kibanza cavyo. Kandi Imana yaravyubashe, maze ibigira Isezerano Rishasha.

9 None rero nimba Isezerano rya Kera ryasaba gukurwa mu…umwanditsi yategerezwa gukurwa mu bantu biwe, akajanwa mu bugaragwa, kugera aronse uguhumekerwa kwo kwandika Isezerano rya Kera. Maze mw'Isezerano Rishasha naho, umwanditsi yatwawe na nyene Igitabu, amujana ahantu h'ubugaragwa, kugira aronke uguhumekerwa kwo kwandika Isezerano Rishasha. Kandi ivyo Bitabu bimatanijwe n'Amashashara Ndwi; ndibaza vyosaba kandi wa wundi nyene, muri iyi minsi, kugira yugurure ayo Mashashara. Kuva ku vyo mukunda cane, ivyo mukunda, n'inzu nari nahawe n'abantu, no hagati y'abantu n'abagenzi, n'ishengero ryiza cane, ahantu ataco nari mbuze; no - no guheba ivyo, ugasunikwa na vyo, ukanajanwa, hiyo mu bugaragwa aho ata muntu n'umwe uzi, kandi ibintu vyose bikurwanya. Ariko hariho ikintu kanaka ku Mana, Irarongora umuntu gukora ibintu birengeye ukwo nawe yonavyiyumvira, kugira bibe kubw'ubwiza n'icubahiro vy'Imana. Kandi numva ivyo, atari je bihesha icubahiro, ariko nu - numva ari ibakwe kubona kwari guheba ibintu vyose nakunda cane, kugira ngo nze muri buno bugaragwa no kugwara ukwo ntari bwigere ngwara mu buzima bwanje, hano mu bugaragwa, canke buno bugaragwa. Ariko ndizera, mu gukora ibi no mu kwumvira ivyo Imana yategetse gukora, Imana yatwugururiye amabanga ya kino gihe c'iherezo. Rero turi hano hamwe na buno Butumwa.

10 Rero, aho hariho abantu benshi bankurikiye, kandi ivyo ntibimenyerewe. Muri rusangi umuntu tu… Abantu barakundana, kandi iki, urukundo, ruzobashikana ku bintu mutiyumvira yuko mwokoze. Kandi benshi muri mwebwe mwarasize amazu yanyu, murasiga ivyanyu vyose, kubwo kugenda gusa, kuza hano mu bugaragwa. Benshi baranyakuye barambaza bati: “Tuzoze muri Arizona? Hotubera ahantu heza?” Neza, nk'uko vyavuzwe kuri Mose no ku bandi, ntihari ahantu hari ivyamwa, canke ahantu hari amakomamanga. Hano nta buzi bwinshi bwo gukora buhari, ubuzima bwaho buragoye, n'ibintu vyaho birazimvye. Vy'ukuri, hano i Tucson, muri Arizona, ni ahantu hagoye kuba; imishahara ni mito, bi - birateye ubwoba kuba ino. Ariko hari amagara meza, harumye, kandi tu...Rimwe na rimwe ntidutegerezwa kugira ivyiyumviro vyacu ngo vyisunge n'ibintu vy'iyi si.

11 Dutegerezwa guhanga amaso uburongozi bwa Mpwemu Yera. Ariko ikintu canzazaniye mu kuza hano, kubwira abantu ngo “neza, si nkenerwa ko muza,” canke ngo “ni nkenerwa ko muza,” ivyo ndabirekera umuntu wese ku giti ciwe, ukwo Imana irongora umwe wese ku giti ciwe gukora. Ndibaza umwe wese muri twebwe ivyo yategerezwa kubikora, akarongorwa na Mpwemu Yera, ico akwiye gukora. Kandi benshi muri mwebwe muri hano muva mu micungararo y'i Jeffersonville, muva no mw'ikoraniro ryaho, none raba mwaje ino. Rero ikintu cangoye, hari ahantu ho gusengera. Rero nabonye , igihe nariko ndasoma Ivyanditswe hano, ivya Sitefano n'amajambo yavuze imbere yuko apfa; kubera bamuteye amabuye bukwi na bukwi, bamuhoye ubutumwa bwiwe. Mu gihe yariko aravuga, yavuze ngo “ba data,” ariko avuga ku Baheburayo bo mu bihe vya mbere, ingene bagerageje kuronka ubutoni imbere y'Imana, mu kwubaka ikibanza co gusengeramwo. Yavuze gurtya: “Salomo niwe yaYubakiye inzu, canke inyubakwa.” Iyo nkuru turayimenyereye.

12 Ariko ndakunda amajambo yiwe yakurikiye: “Yamara Isumba vyose ntiba mu zubatswe n'amaboko.” Ahandi hantu hariya muri Yesaya, yavuze ati: Wanteguriye umubiri; murabona, ibimazi n'amashikanwa,

inyubakwa n'ibindi, ariko Wanteguriye umubiri.‟ Turabona yuko yariko avuga kuri wa mubiri Imana yabamwo, muri Kristo. Ariko ndizera uyu munsi, uku guhumekerwa kwaje kuri - kuri mwene Data Green, kugira yimukire ino, we na mushiki wacu Green, baheba ubugerero bwabo hiyo mu buseruko, kandi, ku...hiyo muri Texas, kugira baze hano hamwe...gutangura mu busa; biciye ku guhumekerwa gusa, biyumva gusa ko bātegérezwa kubikora. Ndashimagiza abantu bose bazokurikira uburongozi bwa Kristo, batarinze kuraba ikiguzi bizobasaba.

13 N'ubwo isi yose, kumbure n'abagenzi bawe pfa mpfe, biyumvira yuko uriko urihenda, ariko si ukwihenda kuri wewe. Igihe cose wumva yuko hariho ikintu kanaka inyuma yavyo, ni Imana iriko irakuyobora; ntivyigeze bibamwo ukwihenda, vyama bigenda neza igihe cose. Nimurabe uno mugwi w'abaheruka kurushinga, umuyabaga w'umunyengabire. Sindabivuze kubera yicaye hano. Hamwe n'uno mupfasoni akiri muto n'utwana twiwe, hamwe n'umuryango wo kurera, maze aheba akazi kiwe n'ibindi, kugira yimukire ino.

Ndibuka mw'iyo myaka yahera narahamagawe mu gikorwa. Sinigeze mba umwungere abushitse, kuko mfise impwemu yo kuguma ngendagenda, nja irya n'ino. Sinshobora kwumva mpagijwe ahantu na hamwe. Aho gusa Mpwemu agiye, ntegerezwa gusa guca njana na We, kubera ndafise Ubutumwa. Yesu yavuze ati: “Ntegerezwa kuvuga Ubutumwa muri kino gisagara naho.”

14 Ariko ng'aho hariho abungere bazigama ubusho. Ndakenguruka cane kubona mwene Data Pearry yarakurikiye uburongozi bwa Mpwemu Yera, none raba uyu munsi turafise ihema. Ni rito. Iri ni ryiza bihagije mu gutangura, mu kuraba ico Mpwemu Yera…Ntaco tuzi, reka gusa dutere intambwe ku yindi. Ubu rero, ndizera, nimba Imana yarabwiye mwene Data na mushiki wacu Green, kuza hano, akaba yaruguruye ikibanza aho abana bacu; hako banyonga amakinga yabo kuw'Iyinga mu gatondo, mu mabarabara, no kwirukanga hirya no hino, barafise ikibanza co gusengeramwo, hako tuguma twicaye ng'aho twumviriza ikintu kanaka twamaze kwumva ku nsamirizi, ivyo bikaba atari na bibi.

15 Ariko tweho, nk'umugwi w'abantu, turafise Ubutumwa kubwa kino gihe. Twebwe, turizera yuko Imana yaduhaye Ubutumwa. Kandi mwene Data Green, ni, sinshaka kumwita umwunganizi wanje, kubera turi… Vyiza, ni, nawene, umwunganizi wanje, turi kumwe muri buno Butumwa. Mwene Data Green yigisha ca kintu nyene na bwa Butumwa ubwo nanje nizeye. Yarahevye aho yaba, araheba abantu biwe, araheba n'ishengero ryiwe. Yari, ndibaza, yari umugenduzi w'akarere canke ikintu nk'ico, w'ayo mashirahamwe, aca araheba ivyo bintu vyose igihe yumva Ibi. Yarahevye ivyo yakunda vyose, nawene, kugira aze mu bugaragwa, kugira ashigikire ico Imana iriko iraduha muri kino gihe.

16 Mvuze ko nizera yuko bitategerezwa kuba gusa mu mitima yacu, vyategerezwa kuba inshingano zacu kuza kumufata mu mugongo, ico dushoboye cose, kwitabira ibikorane, kuza hano gusenga, kugira kino kibanza aho Imana ishobora kuduhishuririra ivyo Ifise vyo kuduhishurira. Kandi nk'ukwo yabivuze: “Ubutumwa ntibunzako mu guhishurirwa, nk'uko kumbure bimeze kuri bamwe muri twebwe,” yavuze ati: “ndi hano kugira nshimangire ivyo Imana yatanze.” Mbega amajambo! Kandi ndizera, nitwakorana twese hamwe, tuzobishirako imitima yacu.

17 Ndazi umwe wese muri mwebwe, nimba mwiyumva ukwo nanje niyumva, ndashonje kubona Mpwemu w'Imana agendagenda, birangoye kwihanganira. Bimwe mu bimenyamenya nacishijwemwo hariya mu musozi, kwongera kuvyumva ubugira kandi, ca Kintu nyene ico igihe nari ngikizwa cari ic'ubwiza cane mu mutima wanje! Kandi turashobora kuja ahantu, tugashobora kwicara hanyuma tukabiraba hagati yacu, yuko turiko turuma. Mu gihe twicaye hano mu bugaragwa, ndashika muri bene Data, bakamvugisha nanje nkabavugisha; igihe cose, mu buryo bwanje buciye bugufi bwokwihweza, ndumva hanze nkoresheje Mpwemu, nk'uko vyari, kubona gusa ukwo uwo mwene Data amerewe, kugira mbone ikitagenda neza. Ntanguye kwumva twese turiko turagohokerwa, tuja kure ya Mpwemu. Vyacitse ibisanzwe kuri twebwe. Dutegerezwa gusengera muri Mpwemu, aho Mpwemu w'Imana…Si Ubutumwa bwacu bwonyene bwategerezwa kuba urumuri rw'igihe, bwategerezwa kuba urumuri mu mitima yacu. Murabona? Butegerezwa kuba mu mitima yacu, atar'ukwo nti - ntidushobora kubwereka abantu nk'uko bibereye. Mpwemu ategerezwa kujana buno Butumwa, We nyene ubwiWe. Ndizigira kandi ndizera yuko umwe wese muri mwebwe ari Umukristo nyawe.

18 None rero bakeneye abigisha b'ishure ryo kuw'Iyinga. Bazokenera umugwi. Kandi ngomba mvuge bino kugira mumenye vy'ukuri. Iri ni ishengero ryanje. Maze hano imyaka itatu. Kandi naronse umuryango umwe gusa wanyugururiwe, uwo yari mwene Data Mack yansavye kuza kuvuga ubutumwa. Imana imuhezagire. Sinatumiwe n'abandi bantu; ntaco ndabagayira, bameze neza. Mwene Data Brock, umugenzi wanje mwiza, mwene Data Gilmore, benshi muri aba bene Data b'Abapentekote hano, ni abagenzi banje pfa mpfe. Ndabakunda; ntaco nobagayira. Ndatahura uruhagararo rwabo. Ntibashoboye kuntumira hariya, hanyuma ngo bagume bari mw'idini ryabo. Murabona, ntibashobora kubikora. Kubera babikoze, boca bashiburirwa hanze. Narahanganye n'ivyo nyene na jewe. Ariko, jewe, igihe cose ni bibe: “Kurondera ubwa mbere Ubwami bw'Imana,” ubugombe bw'Imana.

19 Rero ubu n'uko, mwene Data Green, Imana yamurungitse ino kutwugururira ishengero ry'Ukwizera

kw'igiciro nk'ukwacu, dutegerezwa gushimira cane Imana, kandi tukitabira buri gikorane, dufate buri kibanza dushoboye. Maze hamwe dusabwe guhamagara, gusenga, kurondera, gukora, reka tube abasirikare neza na neza ku…dufise umurava wo kubikora, murabona. Nimugumize Ubutumwa kuba ubwubashwe, mubeho ubwoko bw'ubuzima bubereye. Ntimureke ngo ubucafu buBuzeko. Tubayeho mu gihe cacerewe cane ubu. Twa -twaracerewe cane ku gihe. NituBubeho mu bweranda. Neza, ubuzima bwanje, ubuzima bwawe, ubuzima bwacu twese bukeneye kuduzwa, imbere y'Imana. Urwaruka rwacu bagenda n'imiduga ahantu hose, bava hamwe baja ahandi, bava mu giteramo kimwe baja mu kindi, kandi barushiriza kuja kure y'Imana cane. Neza. Ubu rero, ukwo ni ukuri. Ndaraba mu buto bwanje, nkongera nkaraba ubwanje ngeze ahantu hatari…Mwebwe, mwakoraniye hamwe ubwanyu kugira musenge Imana; Bibiliya yavuze iti: "Ukwo tubona wa munsi wegereza, turushirize gukorana." Nimba hariho babiri bonyene, ba umwe muri bo. Rero ico ni…Kandi dukoraniye hamwe tugasengera hamwe, rero tugize gusa, ikintu kanaka kuri co, Yesu yavuze ati: "Aho babiri canke batatu bakoraniye mw'Izina ryaNje, ng'aho Mba Ndi hagati yabo."

20 Rero, nk'uko nabivuze mu kanya gaheze, mwene Data Green yambwiye, kandi nawe yabivuze. Umugore wanje, yambwiye ivyo yavuze igihe nari hanze. Yuko, nawe yavuze kano gatondo ati: "Igicaniro cuguruwe umwanya wose." Rero muri rusangi…Ico, cuguruwe kubwanje kugira mvuge ubutumwa. Ubu rero, muri rusangi, nategerejwe kugenda n'imodoka hiyo hose i Jeffersonville, muri Indiana, gutanga Ubutumwa Imana yampaye ndabuhereze abantu; nkagenda urugendo rwose gushika i Jeffersonville, muri Indiana, namwe mwazunguruka igihugu, mukifatanya natwe biciye ku materefone n'ibindi, kugira muronke Ubutumwa, kubera ico nico tubereyeho. Murabona, ico nico gituma turi hano. Vyiza, ntituzosubira gukenera gukora ivyo ukundi.

21 Imana impaye Ubutumwa, ndashobora kugendagenda hano ku gicaniro nkabuvuga, kandi nkumva nidegemvya kubikora. Egome. Kandi ndizera, biciye kuri bino, yuko Imana Mushobora vyose izobahezagira nimwagumana gusa na rino shengero, uyu mugwi w'aba bantu. S'ivyo gusa, ariko reka tuje hanze hanyuma turabe nimba tudashobora kuzana abandi ng'aha. Murabona, reka tubwire abandi hose, tubabwire ibijanye n'ishengero ryacu n'ico bisigura. Ico ishengero ryacu… Turi hano. Tugomba ko muza, muzanye abashitsi, kandi ndazi neza bizoba ari vyiza kuri twese. Murabona? Turafise inyubakwa, kandi turashima cane kubwayo. Turakenguruka kubwa kino kibanza, gukoranira hamwe. Ariko, "Isumba vyose ntiba mu zubakishijwe amaboko, murabona, 'Kubera Ijuru niyo ntebe yaNje y'Ubwami, isi na yo ni indava y'ibirenge vyaNje; Nzoruhukira ahantu ki? Yamara WaNteguriye umubiri." Kandi turi Umubiri wa Kristo. Rero mu gihe twimuka tuva mu nyubakwa tuja mu yindi nyubakwa, ndizera, mu kuzana Ubutumwa bwacu, tuzoza hanyuma tugire ibikorane vyo gusengera abarwaye. Hanyuma hagize ico Umwami aduhishurira gukora, tuzoba tugifise hano kw'ishengero, gushika aho rizokwongerekana cane rikaba rinini mukazotegerezwa kurijana ahandi hantu, n'ahandi, gushika Yesu agarutse. Imana ibahezagire.

22 [Mwene Data Pearry Green aciye agira ico avuze, agirako asaba mwene Data Branham kumurambikako ibiganza kubw'igikorwa. Agace katavuga kuri bănde - Umw.] Twunamike imitwe yacu. Mana Mukundwa, nk'uko duhagaze hano hataramutse, haserukira, harya ku gicaniro, turabona ko turi u - ubwoko bw'abantu buriko burapfa, kuvy'ino si. Turihweza mu mabarabara tukabona icaha canditse ahantu hose, n'ubwo Bwiza bw'Umwami buriko buragenda bwihuta. Kandi turazi, Ubwiza bw'Umwami nibwaduga, n'Ishengero naryo rizoca ridugana na Bwo. Mana, dushaka kuzohaba. Mu minsi mike iheze, mpagaze hano mw'ikorosi ry'ibarabara, neza na neza ku rundi ruhande rw'ibarabara, nihweza abagira ikarashishi bamanuka mw'ibarabara; mbona vya biduga vya kera vy'Intambara ya Mbere biri imbere, niho haca haza ikiduga c'intambara kinini kandi kiremereye ca Sherman, inyuma y'ivyo bica biguma bikurikirana, hanyuma haza abakenyezi b'inyenyeri z'inzahabu; umuryango muto wasambutse, hano umugore arira, umusore yambaye ibishambara yatakaje se wiwe, umutamakazi yatakaje umuhungu wiwe. Nca ndiyumvira nti: "Ese ukuntu bibabaje," guhagarara iruhande y'ibarabara wihweza ibintu nk'ivyo biriko biraba. Maze ndabona, bamaze gusa kurengana ino nyubakwa, umuziki uca urahinduka uba, *Tugende, Basirikare b'Abakristo*. Batera intambwe zabo, inyuma; ariko barenganye hano hantu!

23 Mana Mukundwa, ndiko ndiyumvira ku kindi gihe gihambaye kiriko kiraza, iryo rizoba ari izuka, aho ba bantu ba kera bazoza ubwa mbere, abera, ba bakuru b'imiryango. "Kuko twebwe abakiriho tutazokwitangira imbere na gato abasinziriye; kuko inzamba y'Imana niyavuga, abapfiriye muri Kristo nibo bazobanza kuzuka." Rero igihe tubonye ivyo bihambaye…abantu bagiye, batambuka baduga mu majuru; tuzoba duhagaze, turindiriye uguhindurwa kwacu, tuzi yuko natwe tuzoca dutonda umurongo. Mana, tugire abasirikare b'abizigirwa. Ni abo gusa bakozweko vya nyavyo n'ababaye mu ntambara bomenya ico ivyo vyasigura vy'ukuri, kubona ivyo biduga vy'intambara vyariko bica ng'aho. Kandi, Mana, turabazi yuko abo babaye mu ntambara y'ubuzima nibo bazomenya ico bisigura, igihe tuzoba turindiriye umwanya wacu wo gufata uruhagararo, ikibanza cacu, mw'izamurwa, kugira duce tuduga.

24 None ng'uyu, mwene Data akiri muto, ahagaze hano, yateguwe neza, yiteguye, yambaye umwambaro, arindiriye ko umukurambere amurambikako ibiganza, uwo nawe akaba ari umuhizi wa kera wo ku murongo w'imbere w'urugamba, azi ko ategerezwa kuja mu ntambara, nawe. Mana Mukundwa, hamwe n'ibiganza vyanje bitabereye ndabirambitse kuri mwene Data, mu gishingo c'ivyaWe. Muhezagire mwene

Data Green, Mana Mukundwa, nanje nkaba ndamuhezagiye mw'Izina rya Yesu. Reka atware buno Butumwa, Mwami, muri kino gisagara n'aho hose uzomuhamagarira. Reka abe umwizigirwa, yuzuye Mpwemu Yera, abeho ubuzima butagira umugayo. Mana, reka yunguke imitima y'abantu, kugira ashobore kubigisha no kubarongora aberekeze mu nzira twese twipfuza gucamwo. Biduhe, Mwami. Hezagira umutambukanyi wiwe w'umwizigirwa, abana biwe bato. Hezagira utwigoro twacu twese hamwe, nka bene Data b'Abakristo hano kw'isi, ku buryo dushobora gutwara Ubutumwa Bwiza gushika ku mpera z'isi. Rungika Mpwemu WaWe kuri we, Mana. Dusenze mw'Izina rya Yesu Kristo, mu gihe tumuGushikirije. Amen.

Imana iguhezagire, mwene Data Pearry. Twara Ijambo ry'Imana.

MESSAGE hub online
www.messagehub.info

Ubutumwa bwa
William Marrion Branham
"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7